Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06




«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°828 01 Kigarama 2024

# Ng'iri ihema ry'Imana n'abantu*(Ap21,3)*



Foto: Chanel HARINGANJI

Diyoseze nkuru ya Buju-mbura, yaraye yibarutse paruwase nshasha ya Bugarama.

Umusi ntibagirwa ku banyabugarama ni umusi w'igenekerezo rya 24 Munyonyo 2024, aho Nyenicubahira Musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yabavotorera paruwase Bugarama yitiririye Monika Mweranda.

Ivyo birori bidasanzwe, vyatanguwe n'Inkuka ya Misa yari irongowe na Musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa ari nawe yabahaye izina bakaja ku rugero rw'ayandi maparuwase agize diyoseze.

Soma ku Rup. 6

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Igisabisho c'umworo kirashikira Imana : *Mwene Siraki 21,5 (Ibikurikira)*

7. Ndateye akamo aboro bose bagerereye mu bisagara vyacu kandi bagize ubuzima bw'ikibano cacu, nti: ntimutakaze umwizero. Imana irababaye kandi muri kumwe. Ntirota ibibagira kandi ntizokwigera ibikora.

Twese biradushikira kwibaza ko twoba tutumvirwa. Rimwe na rimwe turasaba ngo tuve mu bukene butwugarije, bukatubabaza kandi bukadusubiza hasi, maze ukamengo Imana ntiyatwumvise.

Yamara tumenye ko agacerere k'Imana katitiranywa n'umwitwarariko muke w'amakuba yacu ; ni agacerere gashishiriye ijambo ritegerezwa kwakirwa mu mwizero, tukirekurira mu maboko yayo no mu gushaka kwayo.

Ni vyo Mwene Siraki ashingira intahe : « Igisabisho kivuye mu kanwa k'umworo kirashika mu matwi y'Imana, kandi ingingo imutunganiriza ntiteba » ( Mwene Siraki 21, 5).

Mu bworo ni ho hashobora gusamirana indirimbo nyayo y'ubukengurutsi. Twibuke ko « iyo umutima wa muntu wiyugaraniye mu nyungu zawo gusa, ntituba tucumva

Soma ku Rup. 2

## Ibirimwo

o Abepiskopi b'akarere k'Uburundi, Urwanda na Kongo bahagurukiye ikibazo c'amahoro n'umutekano....4
o Bimwe bimwe bituma amagara yo mu mutwe ahungabana....8
o Isekeza ry'imisi 16 yahariwe kurwanya amabi afatiye ku gitsina....9
o Uburenganzira bwo kudakumirwa....10

# Idominika ya mbere y'Ubushikiro: *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Yeremiya: 33, 14-16*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Yeremiya:

*(Imburizi y'Umucunguzi)*

Ng'iri iriyazwe n'Umukama:
Igihe kiregereje c'aho nzorangura ijambo naraganiye umuryango wa Israyeli na Yuda. Muri iyo mi-nsi, nzotera mu nda ya Dawudi akabuto k'ubutu-ngane kazovyagiza ingingo n'ubutungane mu ntara. Muri iyo minsi, igisata ca Yuda kizorokoka, Yeruzalemu nayo igume mu mutekano ; ng'iri izina bazoyitazira : « Imana-Butungane-Bwacu ».

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyatesalonika*

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyatesalonika:

*(Twitegurire dute ukuza kw'Umukama?)*

Ncuti zanje :
Umukama n'abagwirize kandi n'abasasagarize urukundo mufitaniye kandi mufiye bose, nk'urwo tubafitiye na twebwe nyene ; maze n'aremeshe imishaha yanyu mu bweranda butagira amahinyu imbere y'Imana Dawe wa twese, gushika umunsi Umukama wacu Yezu azogarukira azananye n'aberanda biwe bose.

Mu bisigaye benewacu, turabinginga tubahanura mu Mukama Yezu : nkuko mwigishijwe natwe ingene mutegerezwa kwigenza n'ukunezereza Imana. Niko mwigenza ubu noneho, n'abe ariko mubirushirizaho. Niko, musanzwe muzi ya mabwirizwa twabahaye kubw'Umukama Yezu uko ameze.

## Inkuru nziza: *Luka : 21,25-28.34-36*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Twereke Mukama ikigongwe cawe, uheze udutabaze urukiza rwawe.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka :

*(Ubukiriro bwanyu buregereje)*

Umunsi umwe, Yezu yabariye abigishwa biwe ati : « Hazoza imenyetso mu zuba, mu kwezi no mu nyenyeri; kandi no kw'isi hazoba amaganya menshi mu bihugu, igihe ibiyaga n'inzuzi bizokwasirana ; abantu bazokwicwa n'ubwoba n'igihumura, biteze ibizoba kw'isi, kuko n'ubukomezi bw'ijuru buzonyiganyiga. Niho bazobona umwana w'umuntu aje mu bicu afise inganji nyinshi n'ubuninahazwa bwinshi.

Ivyo bintu bitanguye gushika, murame muraramuye umutwe, kuko ubukiriro bwanyu buzoba bwegereje.

Nimwirinde, imishaha yanyu yoye gutimbishwa n'ivy'uguhurahura, n'ivy'ukuborerwa n'ivy'ukwitwararika ubu buzima, wa munsi woye kubagwako giturumbuka nk'umutego ; kuko ari ko urya munsi uzogwa ku bantu bose iyo bava bakagera.

Nimwame mugavye rero, musabe iminsi yose, kugira ngo mubashe gukira ayo mabi yose aza kuza, mushobore n'uguseruka imbere y'Umwana w'umuntu. »

# Igisabisho c'umworo kirashikira Imana

***(Mwene Siraki 21,5)***

*(Bitangurira ku rup.1*

ijwi ry'Imana, nta kibanza duha abandi, aboro ntibaba bacakirwa, nta kanyamuneza gakomoka ku rukundo tuba tucinovora, agatima ko gukora iciza karayama.(…)

Ntituba tugifise ubuzima bwa Mutima bukomoka ku mutima wa Yezu yazutse.

8. Umusi Mpuzamakungu wahariwe aboro, wacitse isango ku mubano wose w'abakristu. Ni akaryo karashe mu ngendo y'ubutumwa ata n'umwe yokwirengagiza kuko ibagata uwemera wese gutega yompi ibisabisho vy'aboro, kuzirikana ko bariho kandi bafise ibibagoye.

Ni akaryo keza ko kwibwiriza kurondera icobunganira; ni n'akanya keza ko gukenguruka ubutumwa bw'abantu benshi bitanga ataco basaba ngo bihebere n'ugushaka kwinshi aboro.

Dutegerezwa gukengurukira Umukama kuri abo bose bahebera umwanya wabo aboro kugira babumvirize kandi babatabare. Abo na bo ni abasaserdoti, abihebeyimana, abakristu bakayike ku bw'intahe yabo, baheza bakaba ijwi ry'Imana yumvira abo bose bayitakambira. Igihe cose umworo atabawe ka gacerere k'Imana kaba gaheze.

*Ibik. urup.5*

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana, Umwaka C

**« Igihe kirageze c'aho nzorangura Ijambo naraganiye umuryango wa Israyeli n'uwa Yuda.** »

Bavukanyi bakunzi b'Imana dusangiye ukwemera n'umuryango muri Yezu Kristu, twaraye turangije umwaka w'amasabamana B, aho twahimbazanya akanyamuneza umunsi mukuru wa Kristu Mwami.

Kuri iyi dominika ya mbere y'ubushikiro, turatanguye uwundi mwaka w'amasabamana C : ni umwaka Imana izobandanya itwimenyesha, idukaburira ukwemera, idutumirira kuyegera kuruta ngo tubone kandi turangure ishaka ryayo.

Kuri uyu munsi w'Imana, turatanguye ca gihe kiroranye c'Ubushikiro kidutumirira, twisunze Ijambo ry'Imana, kwitegurira Umukiza wacu ari mu kuza.

Iki gihe kitwerekeza ku munsi mukuru cane wa Noeli, aho tuzokwifatanya n'abatuboneye izuba mu gutegura umuzo w'Umukama, tuti : «Imyaka ibihumbi yose, abantu bari bamwiteze, imyaka ibihumbi yose bari bamukumbuye»; tugasubira kuririmba Gloria, Imana ininahazwe mw'ijuru kw'isi naho hayagwe amahoro ku bakunzi bayo.

Iki gihe c'Ubushikiro rero kimara indwi zine, maze ibisomwa vy'Ijambo ry'Imana bikazoza biratwereka ingene Umukiza yari yemerewe isi, azoshika n'ingene abantu bari bamwiteze, bari bamerewe, n'uko bategerezwa kuba bameze ngo bamwakire neza.

Erega n'uyu munsi ni co Umukama adusaba: Kumwakira, kumusanganira.

***None twomwakira dute?***

Twomusanganiza iki ?

Nitwakire uyu mwaka rero nk'ingabire ivuye ku rukundo rwayo, tuyikunde kuruta vyose kandi dukundane hagati yacu.

Mu gisomwa ca mbere dusanga mu buhanuzi bwa Yeremiya, Imana iramwongoreye mu gutwi iti : « ***Igihe kirageze c'aho nzorangura Ijambo naraganiye umuryango wa Israyeli n'uwa Yuda***.»

Mu gihe uyo muhanuzi Yeremiya yashikiriza iryo Jambo ry'Umukama, ntivyari vyoroshe ! Eka ntivyari ivy'ugusemagura amasoro : hari igihe igihugu c'Israyeli kirengerwa n'amagorwa, kiracurwa bufuni na buhoro, kiranyagwa maze gitwarwa n'abami b'abapagani.

Kuri urwo ruhande, ivyo vyatumye ukwemera Imana kugoyagoya, barihebura bagira bati : n'Imana ntaco igishoboye, Yaraduhevye, ntitukirokoka.

Ariko rero iri jambo ryaje nk'inkuru nziza kuri Israyeli yose kuko ata kinanira Imana. Turabizi, naho ducumura, Imana ntihimbarwa n'urupfu rw'umunyakabi, yama ishaka ko ahinduka ngo abone kuronka ubuzima.

Ni co gituma naho ireka amarushwa akagwa ku bantu, ni ukugira ibakaburire ubwenge, babone canke bongere biyumvire ko, ivyo bokora vyose Imana itarimwo badashobora kurama.

Imana yama ishaka kwereka abantu ko igira vyose bishasha kugira ironkemwo ikibanza ; n'umuntu mushasha azoyihe icicaro, azoyisenge atayibangikanije yo nsa nyagukundwa rwose kuko iruta ingabo.

Umuhanuzi Yeremiya ati : Ng'iri iriyazwe n'Umukama : 'Igihe kirageze c'aho muzorangura Ijambo naraganiye umuryango wa Israyeli n'iwa Yuda. Muri iyo minsi, nzotera mu nda ya Yuda akabuto k'ubutungane kazovyagiza ingingo n'ubutungane mu ntara. »

Aya majambo meranda niyo atwugururiye iki gihe c'ubushikiro dutanguye. Ako kabuto k'ubutungane ni ubutungane buva ku 'Mana-Butungane-bwacu', ni wa muco uva ku Muco, ni Mana y'ukuri iva ku Mana y'ukuri.

Iki gihe c'Ubushikiro kidutumirira guca mu makanda ya basokuru mu kwemera, bamaze imyaka n'iyindi barindiriye Uwuza kugira vyose bishasha ari we Mucunguzi yaje abakura muri ka kaga k'inabi barimwo, maze baramwigina, baramushemeza, baramushikanira, baramusenga, bamutazira ko ari «Imana-Butungane-bwacu », « Umukiza wacu.

Umwanditsi w'Izaburi (ya 24, 4-5.8-9) yasenga avuga ati : « Ntabara Mukama undangire inzira y'iwawe, uranyigisha inzira zawe. Urantumbereza ukuri, uranyigisha, ni Wewe Mana izonkiza. Ese ubutungane n'urukundo vy'Umukama. Umukama yama agarura abazimiye. Abatobato akabatumbereza ubutungane, abicisha bugufi akabigisha inzira ziwe. »

Igihe c'ubushikiro ni igihe kindi kandi kidasanzwe Imana iduha ngo twakiriremwo ingabirano zayo. Nitugamburukire, Imana tuyireke idushitse aho ishaka, ituvyagizemwo ingingo n'ubutungane tunyotewe muri iki gihe.

Bavukanyi dutanguranye iki gihe c'Ubushikiro, « Umukama n'abagwirize kandi n'abasasagarize urukundo mufitaniye kandi mufitiye bose ; maze n'aremeshe imitima yanyu mu bweranda butagira amahinyu imbere y'Imana Data wa twese gushika umunsi Umukama wacu Yezu azoserukira azananye n'aberanda biwe bose. »

Amen !

*Ubushikiro bwiza mwese*

***Patiri Noël Ntirandekura***

**Biracaza**

# Abepiskopi b'akarere k'Uburundi, Urwanda na Kongo bahagurukiye ikibazo c'amahoro n'umutekano

Abungere b'Ekleziya Katolika bahuririkiye mw'ishirahamwe ry'inama y'Abepiskopi b'ibihugu Urwanda, Kongo n'Uburundi (ACEAC) barahuriye mu nama yabo isanzwe mu Buru-ndi ku magenekerezo ya 19 gu-shika 22 Munyonyo 2024 mu ntumbero yo kurondera amahoro muri kano karere k'ibiyaga binini.



*Bamwe mu bitavye inama y'Abepiskopi Katolika bahurikiye mw'ishirahamwe ry'abapiskoipi b'ibihugu vy'Urwanda, Kongo n'Uburuindi yabereye mu Burundi ku magenekerezo ya 19, 20, 21 na 22*

Iyo nama yitabwe n'Abepiskopi baserukira i-nama z'Abepiskopi katolika b'ivyo bihugu, abaserukiye ubuserukizi bwa Papa mu Burundi, intumwa idasanzwe y'igisata ca Papa kijejwe iterambere ryuzuye ry'umuntu, intumwa z'ishirahamwe mpuzamakungu CRS hamwe n'abaserukiye ishirahamwe ryo gufashanya n'ubusuwisi.

Nk'uko Musenyeri Bonaventure Nahimana Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitegeka akaba arongoye n'inama y'abepiskopi katolika b'i Burundi abivuga, ngo akarere k'ibi bihugu karaciyemwo indwano zitari nke, abantu barata ivyabo bagahunga. N'ubu nyene mu buseruko bwa Kongo ngo haracibokeza umuteka muke bigatuma Ekleziya yaho ihungabana.

Nk'uko uwo Mwungere abivuga, ngo «Ekleziya yo muri ako karere yarabonyeko Ijambo ry'Imana ridashobora kumenyeshwa no kwigishwa abantu badashoboye kubana mu mahoro no mu mutekano ngo barangure imirimo yabo batekanye kandi bitwararika n'iterambere ry'igihugu cabo.»

### Izo nama abenegihugu bozitegako iki?

Abepiskopi ngo bashaka kuja inama kugira ngo bagire ijambo bashikirije abarongoye ibi bihugu kugira ngo bategere yuko abenegihugu b'ibi bihugu bakeneye amahoro.

Musenyeri Bonaventure ati: «Ekleziya yarafashe intumbero y'ubwo butumwa kugira ngo dushobore kuva muri iyi ntambara.» Abandanya avuga ko amahoro ari ikintu nkenerwa cane kandi ko aronderwa na bose. Ati: «Amahoro ni ingabirano y'Imana dutegerezwa gusaba, ariko kandi bisabwa ko amahoro tuyaharanira, tuyarondera, tugahamagarirwa gukura mu nzira ivyo vyose bitera umudugararo, bibuza amahoro abantu».

Abo Bungere ngo barizigiye y'uko igihe bamaze guca irya n'ino ivyo vyose bibuza amahoro abantu bazoshobora gupfundika ijambo rimwe rishikirizwa abarongoye ibi bihugu kugira ngo abenegihu nabo bagire umwizero w'uko intambara n'amakuba barimwo ashobora guhera kuko bose babifisemwo ijambo kandi baviriye hasi rimwe kugira ngo baharanire amahoro muri kano karere.

Ku kibazo c'uko Abungere b'Ekleziya bakunze kugira amanama mbere bagasohora n'amatangazo ariko ukamengo abajejwe intwaro mu bihugu ntibabumvira, Musenyeri Bonaventure avuga ko ivyo bitabaca intege.

Ku bwiwe, ngo ntibazorambirwa no guhanura, naho nyene woba umengo izo mpanuro ntaco zibwira uwahanuwe. Ati: «Ekleziya irafise igikorwa c'ubuhanuzi. Itegerezwa kuvuga, kandi ikavuga ukuri aho hose ivuze. Ntivuga ngo ni uko bayumviriza canke ngo ni uko baca barangura ivyo ivuze. Ivuga ahubwo kuko ubwa mbere ari ubutumwa bwayo bwo gushingira intahe ukuri, bwo kuvugira Imana kandi turazi yuko hatabura ico iryo jambo riheza rigasiga mu mitima y'abatari bake.»

Uwo Mwepiskopi yibutsa ko iyo bavuze bisunga ijambo Imana yabwiye umuhanuzi Ezekiyeli iti: «Genda uvuge, bumviriza batumviriza bazoheza bamenye ko Ijambo ry'Imana ryabashikiye, bazomenya ko umuntu w'Imana yavuze.»

Asozera avuga ko inama y'Abepiskopi bafise umwizero ufatiye ko abenegihugu bo muri ivyo bihugu banyotewe amahoro kandi bayasaba bashimitse ari na co gituma bizeye ko n'ijambo ryabo ritabura ico rihindura mu mitima y'abaryumviriza kandi bagashobora gushika kw'ihangiro.

Tubamenyeshe ko iyo nama ibaye inyuma y'izindi nama, nk'iyabereye i Roma muri Gitugutu mu mwaka wa 2023 n'iyabereye i Goma muri Nzero 2024.

**Mélance NDAYIKEZE**

# Igisabisho c'umworo kirashikira Imana

**(Mwene Siraki 21,5)**

*(Bitangurira ku rup. 2*



Aboro barafise vyinshi batwigisha. Nkako iyo abantu bishinze gushira imbere gusa itunga bagahonyanga agateka ka bene wabo, aboro batwigisha ko ikiruta vyose kandi ngirakamaro mu buzima kiri ahandi.

Igisabisho nyakuri gishingirwa intahe n'urukundo rwitiranywa no guhwana kuzira guterana ibidashika. Igisabisho kitajana n'ibikorwa biboneka ni impfagusa; nkako, « ukwemera kutagira ibikorwa kuba kwarapfuye » (Jc 2, 26).

Yamara kandi urukundo ruterekwa igisabisho rucika intabaro gusa kandi ntiruragama. « Iyo habuze igisabisho ca misi yose kandi gihozako, ivyo dukora bibura uburiba n'umutima, maze bigacika ukwisanzaza gusa.» Dutegerezwa kwirinda uyo mutego tukama tugavye cane, tutarambirwa, dufashijwe na Mutima atanga ubuzima.

9. Ni muri iyo ntumbero twokwiyibutsa intahe twasigiwe na Tereza w'i Kalukuta, umupfasoni yahebeye ubuzima bwiwe aboro.

Uyo mweranda yama avuga adahengeshanya ko igisabisho camubereye ikibanza avomamwo ingoga n'ukwemera kugira yitangire ubutumwa bwiwe muri ba ntahonikora.

Igihe yashikiriza ijambo mw'Ihwaniro Mpuzamakunu rya ONU, ku wa 16/10/1985, ari nako yereka bose ishapule yarafise mu minwe, yavuze ati : « *Jewe ndi uwihebeyimana muto cane ariko akunda gusenga. Uko nsenga ni ko Yezu ashira urukundo mu mutima wanje hanyuma nkarugabira aboro bose duhwanye mu nzira. Na mwebwe nyene nimusenge ! Nimusenge ni ho muzoshobora kubona aboro baba hafi yanyu.*

*Kumbure ku ngazi y'inzu yanyu, kumbure no mu rugo rwanyu ntihabuze abakeneye urukundo. Nimusenge ni ho amaso yanyu azokuguruka , umutima wanyu na wo ukuzura urukundo.* »

10. Noreka gute kwibutsa intahe y'umweranda Benedigito Labre (1748-1783) aho yaza gusengera mu gisagara c'i Roma avuye mu gihugu c'Ubufransa ?

Yari yarashibuwe n'ibigo bitari bike vy'abamonaki, araheza amara imyaka yiwe ya nyuma yibanira n'aboro ariko ashengerera umwanya munini Yezu m'Ukaristiya, akavuga irozari, ibisabisho vy'Ekleziya yongera azirikana Ubwuzure Bushasha n'Ukwigana Yezu Kristu.

Kubera yuko atagira aho akika umusaya, yaremeye kwisereka mu mfuruka ya kolize (ahantu i Roma kera ku bapagani bicira abamaratiri mu kubarekurirako ibikoko). Yari ameze nk'ikiyenzerezi c'Imana, maze ubuzima bwiwe abugira igisabisho gihoraho yaguma ashikiriza Imana.

11. Mu rugendo turiko tugana Umwaka Mweranda, ndahamagariye umwumwe wese kuba Uwugendana ukwizigira, mushikirize abandi ibimenyetso biboneka vya kazoza keza.

Ntitwibagire gukunda utuntu duto turimwo urukundo: kumenya guhagarara, kwegera, kwerekana umwitwarariko w'ineza, kumwenyura, akajambo keza k'indemesho…

Utwo tuntu ntitwizana kuko dusaba guhozako imisi yose, mu buryo budahinda, bw'agacerere, mugabo bukomejwe n'igisabisho.

Mu gihe ca none aho akavyino k'umwizero gasa n'akanigirwa mu menshi n'induru z'ibirwanisho, n'induru y'abantu isinzi bahohoterwa hamwe n'agacerere k'abandi batari bake bahitanwa n'intambara, duture Imana igisabisho co gusaba amahoro.

Twese turi bakene, turashonje amahoro, ni co gituma duteze ibiganza ngo tuyakire nk'ingabirano y'agaciro ntangere, ari na ko twitwararika kuyaremesha aho tubaye mu buzima bwa misi yose.

12. Umwanya ku wundi, mu bihe vyose, duhamagariwe kuba abakunzi b'aboro, mu guca mu makanda ya Yezu we, uwambere, yigize umwe na baruhebwa.

Ese Umuvyeyi Mweranda w'Imana, Mariya Mweranda cane, we, aho yaboneka i Banneux yadusigiye ubutumwa ntibagiranwa ati : « Ndi Umubikira w'abakene », adushigikire muri uru rugendo.

Ko Imana yamuravye ryiza kubera ubutobuto bwiwe, ikamuha kurangura ivyiza vyinshi kubw'ubugamburutsi bwiwe, tumuture igisabisho cacu, twemera neza ko kizoshikira Imana ikatwumvira.

Roma, Saint-Jean-de-Latran, 13/06/ 2024, Ku Musi Mukuru wa Antoni w'i Padoue Umuvunyi w'aboro.

**Papa Fransisko**

*Vyahinduwe mu Kirundi n'igisata gishinzwe ubutumwa n'inyigisho ndoramana*

# Ng'iri ihema ry'Imana n'abantu *(Ap21,3)*

*(Bitangurira ku rup.1)*

***None ishure rya Bugarama ryabayeho ryari?***

Ishure rya Bugarama ryatanguye kwiyumvirwa mu 1933 rica rivuka mu 1935, ryakukira paruwase RUSHUBI, ikaba yari irongowe n'umupatiri w'umumisiyonari yitwa MINOTI.

Ico gihe Musenyeri Yuliyano Gorji niwe yatwara intara y'ubutumwa ya Urundi ari na yo Bujumbura yakukira.

Diyoseze ya Bujumbura yaciye ivuka mu 1959, ari naho hatirwa Musenyeri Mikaheli Ntuyahaga, Umwungere wa mbere w'umurundi aca anaragizwa iyo diyoseze Bujumbura, hari ku Mwami Mwambutsa wa 4 ari we Mwambutsa Bangiricenge Umwami w'Uburundi ico gihe.

Kubera urugendo rwo kuja mu Rushubi rwari rurerure cane, ico gihe abakristu mu kuronka amasakramentu kuri paroisse, barigaba bakamarayo ikiringo gitekanijwe bigishwa ayo masakramentu atandukanye, mbere bakagirako banayahabwa mu nyuma bakabona guhindukira mu mihana iwabo.

Mu nyuma yaho, niho Musenyeri Mikaheli Ntuyahaga yabona ko urugendo rwo kuja kurondera amasakramentu mu Rushubi runaniza abakristu ba Bugarama, araheza abakomorera paruwase Muramvya hari mu mwaka w'1955, bariruhutsa.

***None ikibanza c'ubatswemwo ingoro y'Imana ya** paruwase **BUGARAMA cabonetse gute?***

Abakristu ba Bugarama bagiwe imbere n'abapatiri b'abamisiyonari bo mu Rushubi, barasavye umwami Mwambutsa Bangiricenge ko yobaronsa ikibanza bubakamwo ingoro y'Imana y'ishule rya Bugarama. Nawe araheza asaba umutware yatwara aha i Bugarama ariwe Nkurabagomwa ko yobaronsa ico kibanza.

Amaze guhabwa umuzibukiro w'amafranga 1500, yaciye atanga ihegitare 11 zihawe ishule rya Bugarama.

Ico kibanza kimaze kuboneka mu 1936, haciye hubakwa ingoro y'Imana y'ishule rya Bugarama babifashijwemwo na patiri Yenzo ari kumwe n'umuhinga mu vy'ukwubaka w'umutaliano yitwa Gaspalini, biraheza birapfunyiriza urugendo bidasanzwe abakristu bahora bigaba baja mu Rushubi, mu Buhonga, mu Bukeye.

Muri iyo myaka nyene kandi, aka karere ka Bugarama kari kagizwe n'ishamba ry'ikibira rirangwamwo inguge, imafu, inkende, inkima,… Hari inzu imwe yari yabatswe n'abo bapatiri b'abamisiyonari yitwa "Jite" ari naho havuye izina bita kw'ijiti ari na co gisagara ubu citwa Bugarama.

Itariki 2 Ruhuhuma 1972, niho Musenyeri Mikaheli Ntuyahaga yashinga paruwaseRyarusera, ishule rya Bugarama rica ririmuka, riva muri paruwase Muramvya rija muri paruwase Ryarusera.

Iyo paruwase yaciye iragizwa Patiri mukuru w'umumisiyonari yitwa Joseph De Dominicis, yari asangiye ubutumwa na patiri Yenzo kumwe na patiri Hayi.

Iyo paruwase Ryarusera imaze kuvuka, guhera muri iyo myaka niho abakristu batangura kwandika ikete ryo gusaba paruwase Bugarama mu ntumbero yo gupfunyirizwa urugendo, ariko ntivyakunda.

Ku wa 1 Ndamukiza 2009, niho abakristu ba Bugarama basubira kwandika ikete ryo kwibutsa, mbere mu kwezi kwa Rusama 2015 baca batangura kwerekana umwete bafise mu kwiyubakira ingoro y'Imana nziza kandi yagutse cane bagiwe imbere n'umwe mu mvukira z'i Bugarama ari we Jenerali Prime Niyongabo Umukuru w'intwaramiheto z'Uburundi. Iyo sengero ikaba ishobora kwakira abakristu barenga 2000.

Uwo musi rero, wari umusi udasanzwe kuba nyabugarama, aho iyo mbanyi yo kwifuza paruwase bari bayibungenze imyaka irenga 50.

***Paroisse Bugarama, igizwe n'amashure 3 :***

- Rugari *(P. Mubimbi)*
- Kazira *(P. Mubimbi)*
- Kavumu *(P.Muramvya)*

***Ikikijwe :***

- Na paruwase Muramvya mu buseruko,
- Na paruwase Mubimbi mu burengero,
- N'ishamba cimeza ry'ikibira mu buraruko,
- Na paruwase Ryarusera mu bumanuko, ikaba iri kubilometero 11.

Paruwase Bugarama, iri mu gasagara ka Buragama, kuri birometero 37 uvuye i Bujumbura. Ni paruwase igira 10 mu maparuwase agize intara y'ubutumwa ya Muramvya, ikaba paruwase igira 40 mu maparuwase agize diyoseze Nkuru ya Bujumbura.

Ni vyayo Yanwari, umwe mubakristu b'inararibonye ba paruwase Bugarama, yibutsa umuruho abakristu ba mbere ba Bugarama bagira baja kurondera amasakramentu mu Rushubi, agasaba abakristu kugamburukira abasaserdoti imana ibahezagije hamwe no kwitwararika iterambere rya paruwase yabo.



*Foto: Chanel HARINGANJI*

Nk'uko bivugwa na patiri mukuru wa paruwase Ryarusera patiri Fulgence Habonimana, iciyumviro co kwibaruka paruwase nshasha ya Bugarama, cavuye mu vyamwa vya yubile paruwase Ryarusera yari yahimbaje mu mwaka wa 2022.



*Foto: Chanel HARINGANJI*

Iyo paruwase Bugarama rero ni iparuwase igira 10 mu maparuwase agize intara y'ubutumwa ya Muramvya, ikaba kandi ari paruwase igira 40 mu maparuwase agize diyoseze nkuru ya Bujumbura, ikaba yaragijwe patiri Maritino Nibitanga nka patiri mukuru, akazfashanya na patiri Tefano Nshimirimana.

**Chanel HARINGANJI**

# Isangiramutima ni ryo soko ry'amajambere y'igikorwa co kumenyesha Inkuru nziza

Isangiramutima ni ryo soko ry'amajambere y'igikorwa turimwo, cane cane igisa n'iki cacu, co kumenyesha Umukama wacu.

Ico kiyago caremeshejwe na Musenyeri Simoni Ntamwana, yahoze arongoye Diyoseze nkuru ya Gitega, aho avuga ati: Turakeneye gutera imbere mu gikorwa cacu. Turakeneye kubona ko Inkuru nziza ya Yezu Kristu iriko irakiza abantu n'ibintu.

Ese umusi umwe twovyuka dusanga abantu bose bariko baragwana mu nda, cane cane barya tuzi ko bafise ico bapfa n'ababanyi babo.

Maze abo bantu bakaza batera impundu kuko basubiye kuvukana nkuko Imana yabitumye zina kiremwa cose. Twoba koko dutsinze. Ariko impinga iracari ndende!!!

Ahanini ni twebwe nyene abatumwa tudaheza ngo tugumane na Kristu, na we ngo adukomereze kwa gushira hamwe, kwa guhurira hamwe, kwa gushaka guteza imbere ico adushakako, turi hamwe. Abashize hamwe, bagira ihundo ryiza nk'amasaka y'amashirahamwe nyene.

Abahuje amaboko n'imitima, ntibonanirwa no kwiteza imbere mu mugambi baba bumvikanye. Turya duke, twaraduciyeko umugani, tuti: „Isorosoro rigwirira iyo rigiye". Erega ni iyo mvo Yezu adusabira ubumwe, kandi akatwinginga ngo ntitubuvirire.

Tworamuka twese twitwararitse kugumya iryo sangiramutima, ntacobuza ko ejo tuba dukomeye gusuba mbere na uko twiyumva uno musi. Intango y'Ekleziya yabaye nziza kubera ico : «Abari bamaze kwemera bose bari bahuje umutima n'umushaha, kandi muri bo nta wagira ngo ivyo atunze ni rwiwe, yamara vyari ivya bose" (Ibikorwa 4, 32).

Kandi aho hose abakristu baba bafatanye mu nda, ni ho bakomera. Abakristu b'i Buraya bagifatanije ukwemera na twe, bakakwitwararika mu bumwe bwabwirizwa kuranga abakristu, bari bakomeye.

Ariko aho batanguriye gutwarwa n'ubwoba imbere y'ivyo bafise kandi bazi ko barusha abandi, ubu bariko baragwa batavyuka, bariko barigira kure Ekleziya, mbere bamwe bakishima akara ngo bashaka guhana Ekleziya mu kuyihunga, ariko bazi neza ko ya Batisimu bahabwa ari urumenyetso rutazimanganana, ko kandi ya Ekleziya ari imwe nsa, ata yindi ishoboka kuvuka hambavu y'iyo yambere bariko baragaya, canke bahora igicumuro bayibonyeko, ari bo nyene bakoze ico gicumuro!!!

Ko rero twipfuza amajambere ya rino shirahamwe ryacu, turitereke mw'isangiramutima ryacu.

Tuzoba twubakiye kw'ibeto itigera imanyuka. Wewe woba ufise ingabirano yo kuvuga, uwundi na we akagira iyindi yo kuzirikanira mu gacerere, uwundi na we akaba afise iya gatatu, mwese nyene mufatanijwe na Mutima umwe wa Yezu, ntimwigere mwiyumvira ko ubudasa bwanyu bubatandukanije.

Nezerwa mwese; himbarwa mwese; muheze muhurire kuri nyene kubitumira, Kristu Umukama.

*Chanel HARINGANJI*

# Isangiramutima ryunganirwa n'ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe

Umuntu ni magoyagi. Umuntu yama ari hafi y'inyosha mbi, mbere agashobora gucumura. Arashobora kugendera ku mabwire, na wa wndi yahora yizigiye bakayoberana, maze ico bahora basangiye kurangura kigapfa gurtyo.

Ukwo gucumuranako ntibirinda kuba ibigoye. Hariho n'utuntu dutoduto dushobora kuntuma mpororokerwa mu vyo nsangiye n'abandi. Ariko inkurikizi y'utwo tuntu dutoduto ntagiriye mwenewacu zirashobora kuba nini, mbere zikamugaza.

Ogustino Mweranda ni we afatira kuri utwo tuntu dutoduto akereka Umukama ingene yanyereye, ahereye kuri utwo nyene, ariko akigira kure y'Imana na E-kleziya, nka urya muntu aca mu bunyerere atinya, hanyuma akibona hasi kuko nyene atafatiye ingingo turya tugorane dutoyi twahavuye tuba tunini.

Arasaba umutima wo kwisubirako n'uwo kwamizako muri urwo rugendo rumujana ku Mana, ati : « Mukama, sinigere nduha igihe ndiko ndakurondera, ariko unkongerezemwo akanyota n'urweze name na ntaryo ndondera kandi mpanze amaso yawe".

Twibuke rero gusaba ikigongwe Imana na benewacu, tutibagiye mbere na twebwe ubwacu, be n'ivyo vyose bidukikije. Ukurekuriranira kurarema uwukuranguye n'umtima wiwe wose, bikamututuma akomera kandi avavanura na ca gituma camukuye mu bandi, no mu muryango.

Nitureke kunumirako, kurenzako. Nta co bimarira uwuvyitenze, kugira ngo yiyorohereze.

***Biracaza***

***Chanel HARINGANJI***

# Bimwe bimwe mu bituma amagara yo mu mutwe ahungabana.

***Mu bituma amagara yo mu mutwe ahungabana harimwo :***

1. **Ihahamuka** (ugusesererwa kw'umuntu bitewe n'ibihe bidasanzwe vy'amakuba nseserezamutima yamushikiye (ubukene, intambara, guhunga,gufatwa ku nguvu, gusahurwa ivyawe, imyuzurira, guhisha ibintu n'bindi…….).

2. **Ukwihereza ibiyayura mutwe no kunwa inzoga zirenze urugero.**

3. Ingorane zo mu miryango no mu kibano.

4. **Indwara zidakira** (les maladies chroniques

***Menya Neza :*** Ibintu bikunze kwibonekeza ko bihungabanya amagara yo mu mutwe, ikiza ubwambere ni ihahamuka. Dufatiye ku biharuro tumaze kwakira mu kigo ca Francisko w'i Asizi, 30% nibo bafise ihahamuka.

***Ihahamuka n'iki ?***

Nk'uko tubibwirwa na Niyakire Serafina yanonosoye ibijanye n'inyifato,


Foto: Chanel HARINGANJI

avuga ko ihahamuka ni indwara yo mu mutwe canke ihungabana ry'amagara yo mu mutwe iterwa n'ikintu kiremereye kigushikiye giturumbuka canke cisubiriza bigatuma ubwenge n'ububasha vy'umuntu birengerwa, umuntu agahinduka mu nyifato n'imibereho, mu vyiyumviro no mu mico yiwe.

Ihahamuka ni ijambo rikoreshwa cane muri iyi misi ya vuba: mu ma radiyo, kumboneshakure, no mu biganiro, urashobora kwumva abantu bavuze ngo: ….naciye mpahamuka… canke ngo ….naka umengo yarahahamutse….

Ihahamuka ni imero, canke ukuntu umuntu aba, biturutse ku bintu kanaka vy'inkoramutima yaciyemwo; ubuzima bwiwe bukabangamirwa

Ihahamuka rero ni ukurengerwa n'ikintu kigushikiye kigatuma wumva uguwe nabi. Imero wahora ugira ku buryo wumva ibintu ubitahura, ukigumya kandi ukabiroranya, irasenyuka.

Ukumva ukeneye abagenzi, umuryango wawe canke ikibano birata agaciro vyahorona. Gukekeranya ivyo wahora wizera vyahora biha insiguro ubuzima bwa kiremwa muntu.

***Bimwebimwe mu bitera ihahamuka***

A. Muri rusangi, ihahamuka riterwa n'ibihe bidasanzwe vy'amakuba nseserezamutima bishikira umuntu bifise uburemere, bikaza giturumbuka canke bikaguma vyisubiriza:

* Ubukene, intambara, gusahurwa ivyawe, guhisha ibintu n'ibindi.
* Ukubura abawe canke kubura ntuhambe,
* Imyuzurira, uruzuba, nyamugigima
* Ugufatwa ku nguvu
* Gupfa amatongo;
* Guturubikwa n'uwo mwubakanye
* Guharikwa;
* Kwikekana uburozi;
* Uguhunga;
* Amabi akorerwa abakenyezi *(gukubitwa, kwangazwa, guharikwa, gutanwa urugo, guturubikwa, n'ibindi).*

***Ibitera ihahamuka ku kazi :***

- Akarenganyo
- Guturubikwa
- Gukorera kuruhagarara
- Kudatunganya neza akazi
- Gufatwa nabi nabo mukorana
- Gukumirwa
- Kwakwa uburenganzira bwabo
- Gufatwa kunguvu, n'ibindi

Ihahamuka rirava ku kintu umuntu agiriwe, kimubabaza ku mutima, uburemere bwaco bugatera umubabaro udasanzwe, urengeye uwo umuntu yaramenyereye kwihanganira, akarengerwa bigahava bigahungabanya ubwenge n'imero vyiwe (= état psychique), inyifato yiwe igahinduka, bimwe bimwe akavyibonako, ibindi bikabonwa n'abamukikuje,

Si hose kandi bakoresha iri jambo Ihahamuka bariko barasigura iyo mero. Nk'akarorero mu gitabo citwa "Gukiza ibisebe vyaduteye guhahamuka", umwanditsi waco akoresha ijambo Igisebe co ku mutima hari n'abavuga imvune z'akahise canke ibikomere vya kahise.

***Imirwi y'ihahamuka***

Hari ihahamuka ry'umwe n'ihahamuka rya benshi.

Ihahamuka ry'umwe riba mu gihe ico ubonye canke ico wiyumvira canke ikikubayeko gishobora kuba cobangamira ubuzima bwawe canke ubw'abandi kigatuma hagira ibihinduka mu bwonko, bigatuma utaba ugishobora gucudika canke kugiriranira imigenderanire n'abandi canke ngo ugire ico wimarira. (Trauma individual)

*Ihahamuka ry'umwe naryo nyene riri kubiri :*

Hari irigushikako kubera ari wewe ubwawe wahatswe hari n'irindi rigushikira kubera wagiye urumva, urabona inkuru z'abahwanye n'ivyago bitandukanye. Ihahamuka kandi rishikira bose abakoze ikibi n'abagikorewe .

**Biracaza**

**Chanel HARINGANJI**

# Isekeza ry'imisi 16 yahariwe kurwanya amabi afatiye ku gitsina

Bishimikije icivugo ngo: *«Twerekeza imyaka 30 y'umugambi w'i Beijing, tuje hamwe dutuze amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme»*; ku kibuga c'umupira w'amaguru i Gihanga, Umutambukanyi w'umukuru w'igihugu c'Uburundi yaruguruye icese isekeza ry'imisi 16 yahariwe kurwanya amabi afitiye ku bitsina.

Ivyo birori vyatanguwe n'idefile y'abakozi b'ubushukiranganji bwo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira hamwe n'abagize amashirahamwe atandukanye yishinze kurwanya amabi afatiye ku gitsina.

Umutambukanyi w'umukuru w'igihugu, mw'ijambo ryiwe, avuga ko ihohoterwa rifatiye ku gitsina ridashikira abakenyezi n'abigeme gusa, hariho n'abagabo bakorerwa aya mabi ariko akenshi ntibimenyekane kuko badakoma induru.


Foto: Chanel HARINGANJI

Afatiye kubijanye n'abana bafise imyaka iri musi ya 18 baja mu bunywero, bakihereza ibiboreza batarikumwe n'abavyeyi, Umutambukanyi w'umukuru w'igihugu yasavye abajejwe intwaro hamwe n'abashikiranganji kubikorerako mu ntumbero yo kugarukira indero kuko ivyo ari bimwe mu bikwega ayo mabi afatiye ku gitsina.

Yaboneyeho kandi no gutera akamo abakenyezi bamwe bamwe bifata uko bishakiye bishimikije itegeko mpuzamakungu rikingira abakenyezi n'abigeme, yabasavye kutaritahura ukutariko kuko ntiribaha kuba ba bugabo bwigaba mu ngo canke ngo bafate nabi abo bubakanye, ahubwo rihamagarira abagabo kudahohotera abakenyezi babo.

Violet Kenyana Kakiyomya, umuhuzabikorwa mu runani rw'amashirahamwe mpuzamakumakungu y'ubumwe bwa buraya mu Burundi, avuga ko bazobandanya bashigikira Uburundi mubijanye no gukinga amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme.

Yavuze kandi ko iryo genekerezo rya 25 Munyonyo, ryahuriranye n'-imyaka 25 irangiye hafashwe ingingo y'uko uwo musi wokwama ari umusi mpuzamakungu wo gutanguza isekeza ry'imisi 16 yahariwe u-kurwanya amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme.

Kw'isi yose, Umukenyezi umwe kuri batatu arahohoterwa mu buryo butandukanye mugihe hicwa abakenyezi canke abimegeme 5 mw'isaha imwe kw'isi bivanye n'indyane ziba hagati y'abantu.


Foto: Chanel HARINGANJI

Akavuga ko ishirahamwe mpuzamakungu ONU rizobandanya rishigikira Uburundi mu bikorwa vyose bijanye no kugwanya amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme.


Foto: Chanel HARINGANJI

Imelde Sabushimike, Umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu, n'iterambere ridakumira, avuga ko iringanizwa ry'iryo sekeza ryashinzwe mu ntumbero yo kwerekana ko amabi akorerwa abakenyezi n'abigeme araje ishinga isi yose, no gushigikira ingo kugira ngo zibone kuzuza inshingano zazo ryo kuba ishingiro ry'igihugu no kuba umushinge w'iterambere.

Iryo genekerezo rya 25 Munyonyo, ryatowe ngo ribe umusi mpuzamakungu wo kwibuka abakenyezi benshi bashikirwa n'amabi afatiye Ku gitsina, bigatuma ataho bishikana ubwabo hamwe n'imiryango yabo.

Uwo musi, ni akaryo keza kuri abo bose biyemeje kurwanya amabi afatiye ku gitsina ko kwirimbura aho bateje ikivi.

Afatiye ku bitigiri vy'abitura ibigo bifasha abakorewe amabi afatiye ku gitsina vyerekana iduga ry'ivyo bitigiri uko umwaka utashe, ivyo navyo bikaba bitumwa n'ihindagurika ry'amayeri akoreshwa n'abayakora bijanye n'ibihe tugezemwo n'aho tuba, inyifato zitari zimenyerewe, ikoreshwa nabi ry'ubuhinga bwa none, ubushikiranganji arongoye bwiyemeje kwama bugira amasuzuma yibikorwa basanzwe barangura mu ntumbero yo kwama bahimdura imikenyuro no gutuza burundu ayo mabi ashikira abakenyezi n'abigeme.

Uwo musi uzososozerwa kw'igenekerezo rya 10 Kigarama, kwihimbazwa ry'umusi mukuru mpuzamakungu wahariwe agateka ka zina muntu.

Chanel HARINGANJI

# Uburenganzira bwo kudakumirwa

Gukumirwa biteye kubiri n'iyubahirizwa ry'agateka ka zina muntu. Zina kiremwa muntu arafise uburenganzira bwo gukingirwa ugukumirwa kwoturuka ku mpamvu iyo ariyo yose.

Abantu bose bategerezwa gukingirwa co kimwe ata gucagura gufatiye ku bwoko, ku rurimi umuntu avuga, kw'idini, kw'ibara ry'urukoba, ku butunzi, ku bumuga canke ku vyiyumviro vya poritike.

Uburenganzira bw'abantu bwo kudakumirwa butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bw'abantu bwo kudakumirwa butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,
* amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu,

* amasezerano mpuzamakungu agwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi,
* amasezerano mpuzamakungu yubahiriza abagendana ubumuga,

* amasezerano mpuzamakungu yerekeye kurandurana n'imizi ikumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba,

* Amasezerano ya afrika yerekeye uburenganzira n'ukubaho neza kw'abana,

* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

***a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu***

Amategeko arakingira co kimwe kiremwa muntu wese ata gucagura. Ibi tubisanga mu ngingo y'7 ivuga ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi bategerezwa kwubahirizwa nayo co kimwe.

***b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu***

Aya masezerano arerekana ko ata muntu n'umwe akwiye gukumirwa. Ibi tubisanga mu ngingo za 2 na 3.

Ingingo ya 2 mu gace kayo ka mbere ivuga ko ibihugu vyegwa n'aya masezerano vyiyemeje kwubaha no kwubahiriza abantu bose baba muri vyo mu burenganzira bwemejwe n'aya masezerano ata gucagura na kumwe gufatiye ku bwoko, urukoba, igitsina, ururimi, igihugu c'amavukiro, ubutunzi canke uko umuntu yavutse, ukwemera, ivyi-yumviro vya poritike ca-nke ibindi.

Ingingo ya 3 na yo ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeje gukora uko bishoboye kwose kugira abantu bose, abagabo n'abagore, bagire uburenganzira bumwe mu kwitunganiriza ivyabo intwaro na poritike nk'uko bitegekanijwe n'aya masezerano.

***c) Mu masezerano mpuzamakungu yiyamiriza ivyo vyose bikumira umukenyezi***

Abagore n'abagabo bafise agateka n'uburenganzira bumwe ata gucagura.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 3 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bifata ingingo zose zibereye harimwo n'amabwirizwa, haba mu vy'intwaro, imibano, ubutunzi, akaranga, kugira ngo iterambere nyakuri ry'umukenyezi ryiyongere babonereho kwubahirizwa mu gateka kabo no mu bwigenge bwabo ku rugero rumwe n'abagabo.

***d) Mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza abagendana ubumuga***

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi akingira co kimwe abagedana ubumuga n'abatabugendana. Ibi bitegekanijwe mu ngingo ya 5 mu duce twa 1 na 2 aho ivuga ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi ko abakingira kumwe.

Ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano biriyamiriza ikumirwa rifatiye ku bumuga kandi bigakingira abagendana ubumuga ivyo vyose vyoza bibakumira hisunzwe ko bagendana ubumuga.

***e) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye kurandurana n'imizi ikumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba***

Abantu bose bategerezwa kuronka ivyo barekurirwa n'amategeko co kimwe ata kumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 5 ivuga ko ibihugu vyose vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeza kurandurana n'imizi ikumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba, ku bwoko canke ku nkomoko y'umuntu.

Ibi bihugu vyiyemeza kandi guha uburenganzira bumwe abantu bose bitura sentare n'izindi nzego z'ubutungane, uburenganzira mu vyerekeye ugutora n'ukwitoza hatibagiwe n'ivyerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama.

***f) Mu masezerano ya Afrika yerekeye uburenganzira n'ukubaho neza kw'abana***

*Ibikur. urup. 11*

# Uburenganzira bwo kudakumirwa

*(Bitangurira ku rup.10)*

Nta mwana n'umwe akwiye gukumirwa kubera impamvu iyi canke iriya.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 3 ivuga ko umwana wese afise uburenganzira bwo gushira mu ngiro amateka n'umwidegemvyo bitegekanijwe bikongera bikubahirizwa n'aya masezerano ata kumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba, kw'idini asengeramwo, ku gitsina, ku bwoko bwiwe, aho umuntu avuka, ku bavyeyi yamukako canke ku murezi wiwe mu gihe atarezwe n'abavyeyi biwe.

***g) Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu***

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kwubahirizwa nk'uko ingingo z'aya masezerano zibitegekanya ata gucagura.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 2 ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo gushira mu ngiro amateka n'umwidegemvyo bitegekanijwe bikongera bikubahirizwa n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ata kumirwa rifatiye ku bwoko, ku gitsina, ku rurimi umuntu avuga, kw'ibara ry'urukoba, kw'idini, ku vyiyumviro vya poritike, ku butunzi, aho umuntu avuka canke yavutse, n'ibindi.

Ingingo ya 3 ivuga ko abantu bose bangana imbere y'amategeko. Abantu bose bategerezwa gukingirwa n'amategeko ku buryo bumwe.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya ko ata muntu n'umwe akwiye gukumirwa. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira**

Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro, mu gitabo c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi hamwe n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/03 ryo kuwa 10 nzero 2018 rijejwe guteza imbere no gukingira abagendana ubumuga

***a) Mw'Ibwirizwa Shingiro***

Abana bavuka ku barundi canke ku barundikazi bafise uburenganzira bumwe ata gukumirwa gufatiye ku nkomoko y'umwana.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 12 mu gace kayo ka 2 kavuga ko "Abana bavuka ku Barundi canke ku Barundikazi banganya uburenganzira imbere y'ibwirizwa rigenga ubwenegihugu."

Ingingo ya 13 ivuga ko "Abarundi bose banganya iteka n'ivyo bakwiye kuronka. Abenegihugu bose baranganya agateka kandi amabwirizwa abakingira kumwe. Nta murundi n'umwe azokumirwa mu vyerekeye imibano, ubutunzi canke intwaro y'igihugu kubera ibara ry'urukoba rwiwe, ururimi, idini, igitsina canke ubwoko bwiwe."

Ingingo ya 22 na yo ivuga iti "Abenegihugu bose barangana imbere y'amategeko kandi akabakingira kumwe.

Nta muntu n'umwe ashobora gukumirwa kubera ubwoko bwiwe, amamuko yiwe, ururimi avuga, ibara ry'urukoba rwiwe, uko abayeho mu gihugu, ivyiyumviro vyiwe ku vyerekeye ubuzima canke intwaro y'igihugu canke kubera ubumuga canke kubera afise umugera wa SIDA canke iyindi ngwara iyo ari yo yose idakira."

***b) Mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi***

Umunyamahanga ari mu Burundi afise uburenganzira bwo kwubahirizwa bikwiye co kimwe n'abarundi.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 1 y'igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi ivuga ko umunyamahanga ari mu Burundi biciye mu mategeko yubahirizwa uko bikwiye mu vyerekeye amategeko agenga abantu n'ivyabo; arubahirizwa mu buzima bwiwe hamwe n'ivyiwe co kimwe n'abarundi.

***c) Mw'ibwirizwa n°1/03 ryo kuwa 10 nzero 2018 rijejwe guteza imbere no gukingira uburenganzira bw'abagendana ubumuga***

Abagendana ubumuga bafise uburenganzira bumwe n'abatabugendana. Ibi tubisanga mu ngingo ya 5 aho ivuga ko abantu bagendana ubumuga bafise uburenganzira bwose buri mw'Ibwirizwa Shingiro no mu masezerano mpuzamakungu yose Uburundi bwashizeko umukono.

Ingingo y'9 na yo ivuga ko umuntu wese agendana ubumuga ashikana imyaka cumi n'umunani afise uburenganzira mu vyerekeye poritike kandi afise amahirwe amwe n'uwundi mwenegihugu wese ata gukumirwa na kumwe.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi abakingira kumwe.

Nta muntu n'umwe yokumirwa kubera ubwoko bwiwe, amamuko yiwe, ururimi avuga, ibara ry'urukoba rwiwe, uko abayeho mu gihugu, ivyiyumviro vyiwe ku vyerekeye ubuzima canke intwaro y'igihugu canke kubera ubumuga canke kubera afise umugera wa SIDA canke iyindi ngwara iyo ari yo yose idakira.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Inama igira iya 29 ya ONU ku bijanye n'ihindagurika ry'ikirere



Kuva ku wa 11 gushika ku wa 24 Munyonyo 2024, i Bakou mu gihugu ca Azerbaïdjan kiri ku mugabane wa Aziya, harabereye inama mpuzamakungu igira iya 29 y'ingene bogabanya imyuka mibi ituma haba ihindagurika ry'ikirere. Abantu barenga ibihumbi 55 nibo bari bitavye iyo nama. Intumbero nyamukuru yari iyo kuraba ko ingingo ibihugu bitunze vyiyemeje kugirira ibihugu vy'Ubumanuko yarangutse.

Muri iyo nama, Nyenubweranda Papa Fransisiko asanzwe afise umwitwarariko wo kubungabunga isi yacu n'ivyaremwe biri kuri yo yaserukiwe n'umunyabanga mukuru wa Reta ya Vatikano nyenicubahiro Karadinal Piétro Parolin. Akaba yashikirije ijambo yarungikanywe na Papa Fransisiko ku 13 Munyonyo 2024.

Muri iryo jambo, Nyenubweranda Papa Fransisiko amenyesha ko ukubungabunga ivyo Imana yaremye ari igikorwa ngombwa kandi cihutirwa ku rugero rungana no kurondera amahoro.

Ati iyo nama ibaye mu gihe hibonekeza ko ibihugu bitera bishaka kwiyugarirako, kwikunda n'ukwikwegerako; ivyo bikabandanya bigaburira ingendo y'ugucanamwo ituma tutamenya ko turi bamagiriranire kandi ko dutegerezwa gukora ngo twumve ko dusangiye umuryango w'abana b'Imana basa-ngiye urusago rumwe.

Ubuhinga bwa none bwatumye isi iba nto, ariko butuma umutima w'umuvukano ugabanuka. Ubutunzi ntibwakuye ubusumbasumbane kw'isi. Bwatumye riho haba ukwironderera amaronko n'inyungu aho kurondera gukingira no guteza imbere abatobato. Iterambere kandi ryatumye haba n'ingorane zijanye n'ibidukikije ziterwa n'imyuka mibi iva mu mahinguriro ikonona ikirere.

Kugirango bihinduke, habe akaranga ko guha agateka ikiremwa muntu, birakenewe gutegera ko inkurikizi zitarwa gusa kuri abo bakene ariko ziba kw'isi yose. Nico gituma yasavye ko mukwiyumvira inyishu y'ikibazo c'ihindagurika ry'ikirere yoba iyifasha isi yose, bashize imbere ibihugu biri mu nzira y'iterambere birwa mu mporero y'ibihugu vya rutura.

Papa Fransisiko ati :« Iyi nama nigire ico ifashije kiboneka na cane cane ingingo zifatwa zive mu majambo ariko zije mu ngiro. Izofashe gutanga intumbero irashe kugira imyuka ituma ikirere gihinduka igabanwe nk'uko bamaze kuvyiyemeza mu ma nama yabaye imbere yayo.»

Papa yaboneyeho kwibutsa Yubire y'Umucunguzi twimirije guhimbaza mu mwaka wa 2025. Agasaba ibihugu vya rutura guhebera amadeni aguma ari umutwaro ku bihugu bikenye, bidashobora kuyariha ; yaba ayajanye no gukingira ibidukikije canke ayandi asanzwe. Asaba ashimitse ko boshira imbere ugushigikira ivyo bihugu ngo navyo bishikire iterambere rirama kandi ryuzuye.

Amenyesha abitavye iyo nama ko ku cicaro c'Ekleziya Katolika abereye umwungere, biyemeje gukora uko bashoboye mu kwigisha kubungabunga isi yacu n'ivyo Imana yaremye no gufata mu mugongo imigambi ishira imbere iterambere ryuzuye, ryisunga ugukingira isi yacu, tuzorage abana bacu, abuzukuru n'abuzukuruza isi nziza.

Mu ntumbero yo gushitsa ihangiro ibihugu vyari vyigiriye ryo kugabanya imyuka mibi mu kirere gushika kuri 1,5°C, ibihugu bitunze vyari vyiyemeje gutanga amahera angana n'imiriyaridi 100 y'amadorare mu gufasha imigambi yo gukingira ibidukikije mu bihugu bikiri mu nzira y'amajambere kuva mu 2020 gushika mu 2025.

Muri iyi nama igira iya 29 bongeye kwiyemeza kuduza ayo mahera gushika ku miriyaridi 300 y'amadorare kuva mu 2025 gushika mu 2035. Ikitarangutse muri iyo ni ukwiyemeza ico ivyo bihugu bigiye gukora mu gihugu kimwe kimwe ngo bagabanye iyo myuka.

Ivyo bikaba bitanezereje ibihugu vy'Ubumanuko mu gihe ivyo bihugu bitunze vyitwararika gushira amahera menshi mu ndwano gusumvya ugukingira isi yacu.

Tubamenyeshe ko n'igihugu cacu cari carungitse intumwa muri iyo nama, uwari arongoye izo ntumwa akaba yari Nyakubahwa Prosper Bazombanza icegera ca mbere c'Umukuru w'igihugu cacu.

*MSV M Goreth Ndikumana*